IBIGANIRO BIRIKO BIHUZA ABARUNDI NGO NTIBISHOBORA KUBUZA SENTARE MPUZAMAKUNGU CPI GUKURIKIRANA ABAGIRIZWA IVYAHA BIRIKO BIKORWA MU BURUNDI KUVA IMYIYEREKANO YO MU MWAKA WA 2015 ITANGUYE.

Mu rukwirikirane ry'ibikorwa vy'imisi 100 vyatangujwe n'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya politike mu Burundi mu ntumbero yo gusaba sentare mpuzamakungu CPI gutanguza amatohoza nyezina kubagirizwa ivyaha biriko bikorwa mu Burundi kuva imyiyerekano yo kwiyamiriza ikiringo ca gatatu ca Petero Nkurunziza itanguye, Umushingwanza Armel Niyongere arongoye ishirahamwe ACAT yamenyesheje ko ibiganiro biriko bihuza abarundi bidashobora kubuza namba ko sentare mpuzamakungu mpanavyaha CPI ikurikirana abagirizwa amabi ariko arakorwa mu Burundi kuva muri uyo mwaka wa 2015, ngo kuko ayo mabi ari mu muce w'ivyaha vy'agahomerabunwa kandi ko ahanwa niyo sentare mpuzamakungu CPI.

Uwo mushingwamanza yagize ati:" ***Muri sentare mpuzamakungu mpanavyaha basanzwe bafise ibirego vy'ababuze ababo muri uru rwimo. Hari abantu benshi cane bariko baritura iyo sentare mpuzamakungu mpanavyaha. Dusaba rero y'uko abo bashaka kujuragiza ubutungane mpuzamakungu bitwaje ngo hari ibiganiro biriko biraba, nibaza y'uko bariko barihenda cane kuko ibihumbi n'ibihumbi vy'abarundi bishwe, tutibagiye abanyurujwe bakagenda amazimayongo, abapfasoni n'abakenyezi bagafatwa ku nguvu, aha ntitwibaza neza rero y'uko iyo sentare mpuzamakungu ishobora kureka gukurikirana abo bantu no kugira amatohoza kugira yerekane neza y'uko ivyo vyaha vyakorewe abarundi ari ivyaha vy'agahomerabunwa, ari ivyaha kandi bihanwa n'iyo sentare mpuzamakungu mpanavyaha. Ikindi naco, n'uko hari n'ivyegeranyo vyinshi bimaze gusohoka, ivyegeranyo vya ONU, imirwi y'agateka ka zina muntu yashizweho n'igisata ca ONU, abahinga bigenga bashizweho na ONU, abo bose bakaba barerekanye neza y'uko inzego za leta n'urwaruka rw'imbonerakure bakoze ivyaha kandi n'ubu babandanya banyuruza abantu ku musi ku musi, ubutungane ry'Uburundi ataco buriko burakora. Nico gituma twibaza y'uko ivyo vyaha vyose vyakorewe abarundi bidashobora kunigirwa mu menshi n'abantu b'abicanyi, abantu bariko barasasira indava abagiriye nabi abarundi. Ahubwo dusaba y'uko abarundi twohaguruka tugasaba sentare mpuzamakungu mpanavyaha ikugurura amatohoza vyihuta kandi igatangura gukurikirana abo bahungabanije agateka ka zina muntu, abo bahohoteye agateka ka kiremwa muntu bitwaje inzego za leta.***"

M.Dior

INAMA NKURU Y'UMUTEKANO YA ONU ISABA LETA Y'UBURUNDI KWISUNGA AMASEZRANO Y'I ARUSHA YO NKINGI Y'AMAHORO MUBIJANYE NA POLITIKE MU GIHUGU C'UBURUNDI.

Mu rwandiko rwashizwe ahabona kur'uyu wa 02 Myandagaro 2017, iyo nama nkuru y'umutekano ya ONU yamenyesheje ko itewe impungenge n'ibihe vya politike Uburundi burimwo.

Inama nkuru y'umutekano ya ONU ihamagarira leta y'Uburundi kwubahiriza amasezerano ya Arusha, ibwirizwa shingiro ry'igihugu, amategeko mpuzamakungu, gushengeza n'ugukwirikirana abagirizwa amabi ahonyanga agateka ka zina muntu.

Muri iryo tangazo risozera inama y'abahuje kur'uyu wa 02 Myandagaro 2017, inama nkuru y'umutekano ya ONU imenyesha ko irajwe ishinga n'ibihe vya politike bidatera intambwe mu Burundi co kimwe n'ibiganiro vyobwirijwe guhuza impande zishamiranye, ngo ivyo biganiro akaba ariyo nzira yonyene izoshikana Uburundi ku muti urama. Inama nkuru y'umutekano ya ONU yarasavye kandi k'urupapuro ry'inzira rw'ivyo biganiro rwoshirwa ahabona ubu bwa vuba, urupapuro rwisunze ivy'umufasha w'umuhuza Mkapa aherutse gushikiriza mu nama y'abakuru b'ibihugu bigize umuryango wa Afrika y'Ubuseruko. Iyo nama nkuru y'umutekano ya ONU inamenyesha ko ivyo bihugu bitegerezwa gufasha kugira Uburundi buzoshobore gutora umuti w'amatati, ikanasaba ivyo bihugu kudashigikira imirwi ivuga ko yafashe ibirwanisho ngo irwanye ubutegetsi bwa Petero Nkurunziza.

Muri iryo tangazo nyene, inama nkuru y'umutekano ya ONU ngo iratewe impungenge n'iteba ry'irungikwa ry'abarorerezi mu vy'agateka ka zina muntu hamwe n'abahinga muvya gisirikare b'umuryango w'ubumwe bwa Afrika. Mu gihe hamaze kurungikwa bake kubari bavuzwe, inama nkuru y'umutekano ya ONU isaba leta y'Uburundi n'umuryango wa Afrika kwihutira gushinga ingingo zibagenga zishinga kandi n'igikorwa cabo. Inama nkuru y'umutekano ya ONU iranegura kandi ingendo ya leta y'Uburundi y'ukwanka ishirwa mu ngiro y'ingingo iba yafatiwe, ikamenyesha ko yiyemeje gukwirikiranira hafi ishirwa mu ngiro ry'ingingo 2303 yafashe haraheze umwaka, ingino irekura irungikwa ry'abapolisi 228 ba ONU. Leta y'Uburundi ngo niyemere kandi gukorana n'umurwi wa ONU washinzwe gutohoza ku mabi akorwa mu Burundi.

Mugusozera, iyo nama nkuru y'umutekano ya ONU ihamagarira leta y'Uburundi gusubiza hamwe n'abayifasha, ishire mu ngiri ivyo ibwirizwa, igarukane icizere, isubire guhabwa imfashanyo kugira inagure imibereho y'abanyagihugu bayo basinzikajwe n'ibihe vya politike Uburundi burimwo.

I.Axel

MAJOR MARIUS GAHOMERA YARASUBIRIJWE KU BURONGOZI BW'IBATAYO YA 44 YA AMISOM MU GIHE IYO BATAYO YARIKO YITEGURIRA KURUNGIKWA MU GIHUGU CA SOMALIYA.

Mu gihe yaheruka kugenwa kurongora ibatayo igira iya 44 ya AMISOM, Major Marius Gahomera yarasubirijwe kuri ubwo burongozi. Bamwe mu basirikare bakaba bibaza ko yoba yahowe ivyaha yagirizwa bijanye no guhohotera kiremwa muntu harimwo n'ubwicanyi bw'agahomerabunwa yakoreye abarundi.

Iryo subirizwa rya Major Marius Gahomera rije hasigaye imisi itarenga na 15 ngo abasirikare ba batayo ya 44 ya AMISOM yararongoye ngo burire indege igana umurwamukuru wa Somaliya mu rwego AMISOM. Major Marius Gahomera akaba yasubiriwe na Major Ntirampeba yigeze kurongora ibatayo ya 28 ya AMISOM iyo nayo ikaba yari yavuye mu gihugu ca Somaliya mu gice ca kibiri c'umwaka wa 2015. Bamwe mu basirikare bamenyesheje ko isubirizwa rya Major Marius Gahomera ryoba rifitaniye isano n'ivyaha yagirizwa vyo guhohotera kiremwa muntu. Aha twovuga ubwicanyi bwakorewe abantu bagera kuri ndwi bari bafashwe inyuma y'igitero cari cakozwe kw'ikambi y'i Mujejuru muri komine Mugongomanga muri Kigarama umwaka wa 2015, abo nabo bakaba bagandaguwe na Major Marius Gahomera abakuye mu gasho k'ikirindiro c'igipolisi mw'i Jenda. Uwahoze ari umushikirizamanza kizigenza wa Repubrika Valentin Bagorikunda yari yanasavye ko Major Marius Gahomera yohagarikwa ariko biba ivy'ubusa.

Ikurwa rya Major Marius Gahomera ku burongozi bwa batayo ya 44 ya AMISOM, hari n'abibajije ko rwoba ari uruyeri ruriko rurakorwa kugira arungikwe muri Somaliya ariko agiye atarongoye ikambi.

B.armel

UMUGAMBI WO GUTOTEZA NO GUSINZIKARIZA UBUZIMA ABATAVUGA RUMWE NA CNDD-FDD URABANDANYA KWIBONEKEZA MU BURUNDI.

Inyuma y'aho havugiwe ko hoba hari umugambi wo gutoteza no kugandagura abatavuga rumwe n'umugambwe CNDD-FDD mu ntumbero yo kuzivya uwo wese avuga ibidahuye n'ivyo uwo mugambwe wipfuza, kur'uyu wa 03 Myandagaro

2017, haradutse akaguma mw'ibohero rikuru rya Rumonge. Ako kaguma kakaba kari gaturutse kumfungurwa zibi kandi zidakwiye zironswa abanyororo bo muri iryo bohero. Abafungiwe muri iryo bohero bakaba bamenyesheje ko ivyo bifungurwa vyoba binyuruzwa n'uwujejwe ibohero afadikanije n'ababategurira izo mfungurwa.

Muri iyo mishamirano yo mw'ibohero rya Rumonge, abantu bagera kuri 20 bakaba barakomeretse mbere umwe muribo azwi kw'izina rya Colonel Adrien Kadende akaba yararashwe mu mbavu n'abapolisi bacungera iryo bohero. ku musi wakurikiye ako kaguma, abanyororo bagizwe n'abahoze mu gisirikare ca kera hamwe n'abatavuga rumwe n'ubutegetsi bwa CNDD-FDD bagera kuri 20 bahavuye bungururizwa mw'ibohero rikuru rya Mpimba mu gisagara ca Bujumbura aho babatwaye baboshe.

Kuri iyo mishamirano yo mw'ibohero rya Rumonge, Pierre Nkurikiye avugira igipolisi c'Uburundi ntiyatevye kugira ico ashikirije, aho yamenyesha ko uwo bivurwa ko yarashwe n'abapolisi ngo ari ikinyoma kuko ngo abapolisi barashe mu kirere.

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 05 Myandagaro 2017, Colonel Adrien Kadende yahavuye ajanwa kuvurizwa ku bitaro vy'abasirikare biri muri zone Kamenge mu gisagara ca Bujumbura, aho naho hakaba haribonekeje imishamirano hagati y'abaganga hamwe n'abapolisi bari bamucunze. Abo baganga bakaba bashaka ko Colonel Adrien Kadende akorwa (operation) mu gihe abo bapolisi bobo bashaka ko asubizwa mw'ibohero rikuru rya Mpimba atavuwe. Ubu ngo colonel Adrien Kadende akaba akitswe n'amagara ngo kuko bamwimye uruhusha rwo kuja kwivuriza hanze y'ibohero.

Muri urwo rukwirikirane rw'iryo totezwa ririko rikorerwa abatavuga rumwe na CNDD-FDD hamwe na Ieta iyikomokako, Epithace Nshimirimana umuvugizi w'umugambwe MSD akaba yahoze anarongoye uwo mugambwe mu ntara ya Gitega yarasahuwe urukombamazi ku rugo iwe ruri muri iyo ntara ya Gitega muri karitiye Magarama mu muji w'iyo ntara. Ivyo bikaba vyabaye ku murango wo kur'uyu wa 04 Myandagaro 2017. Ababanyi bakaba batashoboye kuvuga abaje gusahura muri urwo rugo ngo kuko batinyira kugirirwa nabi mu nyuma.

Ibi vyose bikaba bije kwiyongera kubundi bubisha n'ubwicanyi bibandanya bikorerwa abarundi na cane cane abatavuga rumwe n'umugambwe CNDD-FDD. Abantu bakibaza nimba imvugo ya leta y'Uburundi ihamagarira abahunze gutahuka rutoba ari uruhendo ngo ahubwo biboneka neza ko ishaka ko batahuka maze ibone kubacisha kubuhomba nk'uko iriko ibikorera abatavuga rumwe nayo bakiri mu gihugu.

B.Armel

PETERO NKURUNZIZA YASHIKIRIJE IBANKE NKURU Y'IGIHUGU BRB AMAHERA AGERA KU MILIYONI ZITANU MU NTUMBERO YOGUTANGUZA UMUGAMBI WO GUTERERA AMATORA YO MU MWAKA WA 2020.

Kur'uyu wa mbere igenekerezo rya 07 Myandagaro 2017, Petero Nkurunziza yarashikanye kuri konte y'ibanki BRB mu gisagara c'intara ya Ngozi intererano y'amafaranga agera ku miliyoni zitanu z'amarundi (5.000.000fbu). Iyo ntererano akaba yayishikirije mu ntumbero yo gutanguza isekeza ryo guterera amatora yo mu mwaka wa 2020.

Mu gihe yarahejeje gushikana iyo ntererano yiwe kuri iyo konte yuguruwe mw'ibanki nkuru y'igihugu BRB, Petero Nkurunziza yaciye amenyesha ko ivyo abikoze kugira atanguze isekeza ryo guterera amatora yo mwaka wa 2020. Kur'ubwo, Petero Nkurunziza yaciye agirako ahamagarira abarundi bose eka mbere n'abagenzi b'Uburundi kwitabira iryo sekeza mu ntumbero yo gutegekanya amahera azotunganya amatora yo mu mwaka wa 2020. Yarongeye amenyesha ko agiye kuvugana n'umushikiranganji w'ikigega ca leta hamwe n'uw'iwintwaro yo hagati mu gihugu ukuntu boshobora kworohereza abagomba gutanga iyo ntererano ngo kuko atari abarundi bose bashoboye gushika muri iyo banki nkuru y'igihugu BRB.

Kur'iryo sekeza ryatangujwe na Petero Nkurunziza, Tatien Sibomana umwe mubategetsi b'umugambwe UPRONA utegamiye leta yamenyesheje ko amatora yo mu mwaka wa 2020 atarico kintu ca mbere cihutirwa gusumba ibindi. Ahubwo, Petero Nkurunziza ngo yarakwiye kwitwararika amahoro n'umutekano hamwe no kugarukira ubutunzi bw'igihugu bugeze ahatemba. Yagize ati:" **Mbega *ubu ico abarundi banyotewe cane ni amatora? Ico nico kibazo gihambaye. Ubu uravye ibihe turimwo, abarundi bagowe na vyinshi, vyari bikenewe ko abategetsi bahari bijukira gutora inyishu gusumba uko mu mitwe yabo hoguma amatora gusa. Urabona kuva igihugu cinjiye mu magume, ubukene bwarateye, abarundi baratuna buratondera. Ibiciro vy'ibiribwa, ivy'imiti, ibiciro vy'ibintu vyose vya nkenerwa ku muntu wese ari mu Burundi biraduga kubera ifaranga ry'Uburundi ryataye agaciro. Ibidandazwa vyarakenye kubera atamafaranga y'agaciro abadandaza bakironka yo kuja kubirangura, hari abavuga imiti eka n'ibindi vyankenerwa birangurirwa mu makungu. Bisigura ko rero icari gikenewe cane ubu ku barundi ar'uko hotorerwa inyishu ikibazo ca politike kiri mu Burundi kugirango ivy'ubutunzi bisubire bitere bija imbere, amakungu yaduhariye ivomo asubire kutwizigira, asubire gufasha Uburundi mu nzira no mu migambi y'iterambere. Ivyo navyo bikazotuma abarundi basubira kuronka ubuzi, bakaronka amahera y'agaciro yo kurangura ibi na biriya. Ivyo bizotuma kandi ivyo bidandazwa bisubira bikaboneka, n'ibiciro bikagabanuka. Nibaza ko rero amatora atarico kintu cari gikwiye kwihutirwa. Nico gituma ikintu twosaba, n'uko ibiganiro nyezina bokwemera bikaba atan'umwe akumiriwe, hanyuma tugatora inyishu y'ikibazo ca politike kiri mu Burundi catumye ubukene bwiyongera mu gihugu kubera abagenzi b'Uburundi baciye baduharira ivomo.***"

I.Axel

IGIHUGU C'UBUBIRIGI CARAHAGARITSE IMFASHANYO CAHORA GIHA KAMINUZA Y'UBURUNDI.

Urwego rwo gufashanya rw'igihugu c'Ububirigi mw'iterambere mubijanye n'inyigisho za kaminuza ARES-CCD rwarahagaritse imfashanyo rwahora ruronsa kaminuza y'Uburundi.

Iyo mfashanyo yahagaritswe iraba ibisata bitanu: igisata c'Ubuhinga bwa none, ni ukuvuga ibiraba ubuhinga ngurukanabumenyi n'imfashanyo y'amamashini nyabwonko, igisata c'ugutumatumanako muri kaminuza y'Uburundi, imfashanyo mugushiraho akanovera k'ivyigwa muri kaminuza harimwo no kurondera abigisha ba kaminuza bo mumakungu. Ugufasha ivy'itunganywa rya kaminuza y'Uburundi hamwe n'umugambi mushasha w'ishure y'inyigisho z'igice ca gatatu ca kaminuza (Ecole doctorale).

ARES-CCD urwego rwo gufashanyo mw'iterambere mu bijanye n'ubushakashatsi n'inyigisho za kaminuza rwahagaritse izo mfashanyo ngo kuko uburongozi bwa kaminuza y'Uburundi butacubahiriza agateka ka zina muntu, bukanatunganya ukutariko ico kigo bushimikiye kumvo za politike. Muri kaminuza y'Uburundi ngo ntihagishobora kubera ibiganiro vy'ubuhinga vyigenga. ARES-CCD ibandanya ariko ifasha mu mugambi w'iterambere muvy'ubushakashatsi PRD (Programme de Recherche pour le Developpement) hamwe no mu mugambi PFS (Programme de Formation Sud).

Iyo mfashanyo hakaba haheze indwi zigera kuri zibiri ihagaritswe, nayo iyo migenderanire yo gufashanya ikaba yari yatanguye muri 2003.

M.Dior